What do I need to know if my child is expelled?

Parent/carer information

# Ni ibiki nomenya mu gihe umwana wanje yirukanywe?

## Ibimenyeshejwe umuvyeyi/umurezi

### Kwirukana umwana ni ukuvuga iki?

Kwirukanwa ni igihe umukuru akaba n'Umurongozi, Uburongozi bw'Indero bubwiye umunyeshuri ko ategerezwa kuva kw'ishure kandi ntazogaruke. Kwirukanwa ni ingorane ikomeye. Hokorwa ibishoboka vyose mu gushigikira umwana wawe imbere yuko ingingo y'ukumwirukana ifatwa.

Abayobozi bashobora kwirukana abanyeshuri kubera impamvu zibiri:

- Abanyeshuri berekanye ingeso mbi zitokwihanganirwa ziteye amakenga kandi n'indinganizo zo kubagarukana ku murongo zasenzwe.
- Abanyeshuri bafise canke barenza imyaka 17 kandi bakaba batiga neza.

Abayobozi bazokwiyumvira ku kugene ishuri ryashigikiye umwana wawe mu kwiga hisunzwe ivyo akeneye n'umuryango yaje avamwo n'iyo yaje ava, imbere yuko bafata ingingo yo kumwirukana.

Imbere y'ukwirukanwa, umuyobozi azobanza kukurondera kugira ngo akumenyeshe ko bariko bariyumvira kwirukana umwana wawe. Bazosohora urwandiko rw'ukugabisha kwirukana, kandi bagutumire n'umwana wawe mu mubonano muvugane ibishobora kuba niyo birukana umwana wawe. Urashobora kuzana umuntu akwunganira mu nama. Uwo mwunganizi arashobora kuguha, wewe canke umwana wawe, imfashanyo.

Inyuma y'urwandiko rwo kugabisha, uzoba ufise imisi ndwi y'amashure yo kwiregura kw'ishuri werekana impamvu zotuma umwana wawe atokwirukanwa. Umuyobozi azokoresha izo mvo mu gufata ingingo.

### Haba iki iyo umwana wanje yirukanywe kw'ishuri?

Umuyobozi n'umwigisha mukuru, ubuyobozi bw'indero bazohitiramwo hamwe nimba umunyeshuri akwiriye kwirukanwa. Mu masaha 24 yo gufata iyo ngingo yo kwirukana umunyeshuri, umuyobozi ategerezwa kubwira umunyeshuri n'abavyeyi biwe canke abarezi babo kandi bakamenyesha igisata c'indero ca NSW.

Nimba umwana wawe ari munsi y'imyaka 17 kandi akirukanwa kubera ingeso ziwe mbi, umuyobozi ategerezwa kumuronderera iyindi shui nsha canke ikindi kintu cotuma abanadanya kwiga mu minsi 15 ikwirikira y'amashuri.

Umwana wawe akwije canke arengeje imyaka 17, wewe n'umwana wawe mworondera ubundi buryo bwo gukomeza kwiga canke akimukira kukazi.

### Ni amakuru ayahe nohabwa n'Ishure?

Ushobora kubaza ishure ayandi makuru yerekeye ivyabaye n'imvo. Ishure rishobora kugusobanurira imvo zatumye ingingo kanaka zifatwa, ibizokorwa n'ivyo wokora mu gihe woshikirwa n'ingorane.

### Noshobora kwitwarira ukwirukanwa?

Ego, nimba wibaza ko Umuyobozi n'Umwigisha mukuru, hamwe n'Uburongozi bw'Indero boba bafashe ingingo itari nziza, batisunze amategeko canke ko boba bamurenganije. Ronderera ku nkuru zijanye n'ukwitwara.

Inkuru yerekeranye n' ukuvugira umwana wawe birahari, co kimwe n'amategeko agenga ikibano c'ishuri yerekana inzira yo kuvugana n'amashuri.

### Nokwitwara gute?

Nimba ufise amakenga yerekeranye n'ukwirukanwa kw'umwana wawe, ingingo yafashwe canke ugushigikirwa kwatanzwe usabwe kurabira ku muhora ngurukanabumenyi kugira ngo uronke izindi nkuru ku bijanye n'ukwitwara.

### Ibikorwa vyo gusobanura mu rundi rurimi

Nimba wipfuza gushikira ishuri kandi ukaba ukeneye imfashanyo y'uwugusobanurira mu rurimi rw'Ikingereza, usabwe guhamagara ibikorwa vyo gusobanura kuri Telephone kuri 131 450, ubabarire ururimi ushaka kandi uce usaba umuntu ari kuri iyo mashini ahamagare ishuri. Uwo ari kuri iyo telephone azoca akuronderera umusobanuzi ku murongo agufasha muri ico kiganiro. Nta mahera uzorihishwa kuri uwo yagufashije gusobanura mu rundi rurimi.